**BAPTISM AND TEMPTATION OF JESUS CHRIST**
**Mat. 3:13-17; Mat. 4:1-11.**
**Lesson 26**
Memory verse: "***For in that he himself has suffered being tempted, he is able to help those who are tempted"***. **Hebr. 2:18**

## KUBATIZWA NO KUGERAGEZWA KWA YESU

**Icirwa ca 26**

Mat. 3:13-17**;** Mat. 4:1-11**.**

Umurongo ngenderwako : « ***Kuko ubwiwe ko yababajwe no kugeragezwa, ashobora no gutabara abageragezwa*** » **Hebur. 2:18**

### I. Intangamarara

Yesu amaze kuvuka, yabaye mu muryango yavukiyemwo imyaka mirongo itatu. Akura ari umubaji nka Yosefu. Abona gutangura igikorwa camuzanye mw'isi. Ava i Galilaya aja kuruzi Yorodana aho Yohani yariko arabatiriza. Yinira mu mazi aramubatiza ngo ashitse ukugororoka kwose Mat. 3:15. Ivyo bimaze kuba, niho ikimenyetso ca Mpwemu Yera camanuka kivuye mw'ijuru kimeze nk'inuma. Imana iravuga iti : « *Uyu niwe mwana wane nkunda akampimbara* » iri jambo ryarababaje Satani cane.

Aduganwa na Mpwemu m'ubugararwa kugeragezwa na satani. Aramunesha. Atsinda ikigeragezo c'inzara, icubahiro n'ubutunzi.

### II. Amateka y'ahantu Yesu yabatirijwe

Ahantu hatoranijwe n'Imana kugirango iherekere Mesiya ubwoko bwayo ni mu kiyaya co hepfo ya Yorodani, muri ako gace, ni hafi cane y'ahantu amazi yigabanijemwo kabiri imbere ya Yosuwa kugirango abisirayeli bashobore kwinjira i Kanani.

Niho Yohana umubatiza yashize icicaro maze atangura igikorwa co gukangura no gutegura ubwoko bwa Israyeli.

Ku nkengero y'ico kiyaga harangwa n'uburebure bw'umusozi witwa Nebo, aho Imana yerekeye Mose igihugu c'isezerano ari naho yamwihambiye. Niho amafarasi y'ijuru yaduganiye Eliya ngo asange Mose mu bwiza bw'icubahiro. Ikindi niko ariho Yakobo yabonye ingazi mw'ijuru, abamalayika baduga abandi bakamanuka.

Yesu amaze igihe gito cyane ageragejwe na Satani, muri ako gace, mu kiganiro yagiranye na Natanayeli, yivuzeko we ubwiwe ko ari ingazi abamalayika bazodugirako kandi bakamanukirako.

**III. Yesu ageragezwa n'umurwanizi.**

Yesu naho yari amaze kubatizwa vyahimbaye Imana ko abanza kugeragezwa n'umurwanizi kugira atangura igikorwa nyezina. Aha niho yasubira i Galilaya yuzuye ubushobozi yinjiye mw'isinagogi asoma mu gitabo ahanditse ngo : « *Mpwemu w'Uhoraho ari kuri je yandobanuye ngo mbwire aboro ubutumwa bwiza…* **»**

Intsinzi yabonetse kuko yaramaze imisi 40 n'amajoro 40 mu masengesho yisonzesheje. Yamugeragereshеje imfungurwa ; umukate. Iri geragezwa , umrwanizi ararikoresha cane mu kurwanya abigishwa ba kristo na cane cane mu buhugu vya Afrika. Aho intsinzi tuyisanga mw'ijambo ry'Imana rivuga ngo : « *Ntimukaganyire amagara yanyu kuvyo muzorya canke muzokwambara.* » **Mat. 6:25**.

Yongera kumugeragеresha icubahiro mu k'umusaba ngo yikororere hasi avuye hejuru kugatwe k'urusengero. Ikiboneka ni uko icubahiro gituma abenshi bata ubuntu bagateza amatati muvyo barimwo. Iki kibazo kirateye ingorane ariko Yesu yavuze ngo : « *Kuko umuntu wese yishira hejuru azocishwa bugufi, kandi uwicisha bugufi azoshirwa hejuru* » **Luk. 14:11**

Ivyo bimutaye k'uwamazi, yamugeragereshеje ubutunzi mukumwereka ubwami bwose bwo mw'isi. Iri geragezwa naryo nyene ntiryoroheye abantu biki gihe. Aho bamwe bahindutse ababeshi bo kurugero rwo hejuru n'abandi bagaheba ibikorwa y'Imana kubera kurondera ubutunzi bwo mw'isi. Yesu yavuze ati « *Mubanze murondere ubwami bw'Imana n'ukugororoka kwayo, niho ivyo vyose muzovyongerwa* » **Mat. 6:33b.**

Ikirwanisho ntatsindwa c'umwami Yesu cabaye ijambo ry'Imana. ati : « Mvako Satani. » Adamu na Eva batsinzwe kuko bibagiye iki kirwanisho, umwansi abazibagiza ibinyoma vyiye babura ico kwishura kuko batitaho kwiga no kwibuka ijambo Imana yababwiye baba baratsinzwe bakwegeye isi akaga na bugingo n'ubu.

**IV. Gushira mu ngiro.**

Umubatizo ku bizera b'ishengero ni ngombwa kuko werekana ko wapfanye na Kristo ukazuranwa nawe, ukaba ubaye icaremwe gisha. Amageragezwa arashobora gushikira umukristo ariko ntitwemererwa gutsindwa kuko ikirwanisho cacu kirahari ni ijambo ry'Imana. Emera kuvuga uti : « Mvako Satani » igihe cose ariko arakurondera. Yesu arahari ngo agutabare. Ijamba ry'Imana riravuga riti : « ***Kuko ubwiwe ko yababajwe no kugeragezwa, ashobora no gutabara abageragezwa*** »